أصول العقيدة - بوروندي

# UMUSHINGE W'IMYEMERERE





جمعية الدعوة والإرشاد وتوعية الجاليات بالزلفي

324

هاتف: ٠١٦ ٤٢٣٤٤٦٦ - فاكس: ٠١٦ ٤٢٣٤٤٧٧

# UMUSHINGE W’IMYEMERERE

## أصول العقيدة - بوروندي



**Y’ “IGITABU C’UMWISLAMU”**

Categuwe n’Ishirahamwe ry’Ivugabutumwa, Uburongozi n’Ugutahura kwa Jami riri i  Zulfi

# أصول العقيدة

أعده وترجمه إلى اللغة البوروندية (الكيوروندية)
جمعية الدعوة والإرشاد وتوعية الجاليات بالزلفي
الطبعة الأولى: ١٢ /١٤٤٧ هـ

# Urutonde rw'ibirimwo


TAWHIID (UBWIGENGE BWA ALLAH) N'UBWOKO BWAYO:........................................................ 5

Ubwoko bwa mbere: Tawhiid ar-rubuubiyya: ........ 6

Ubwoko bwa kabiri: Tawhiid al-uluuhiyya: ............ 7

Ubwoko bwa kabiri: Tawhiid Al-Asmaa-I ............... 9

was-Swifaati:.................................................... 9

Insiguro y'Ijambo rya Tawhiid: Laa ilaaha........... 11

illa Llah:.......................................................... 11

Agaciro ka Laa ilaaha illa llah :.......................... 13

Amategeko ya Laa ilaaha illa Llah:........................ 14

Insiguro y'Ijambo: (ndashingiye intahe ko) Muhammad ari Intumwa ya Allah (Swallallahu 'alayhi wa sallama)...... 21

UKWEMERA N'INKINGI ZAKWO........................ 24

Ubwa gatandatu : Ukwemera ingingo n'ivyagezwe vya Allah :.................................................. 37

UKUBANGIKANYA IMANA ALAH (SHIRKI) N'UBWOKO BWAVYO ....................................... 39

INCAMAKE Y'IMYEMERERE Y'UMURWI UZORONKA INTSINZI ............................................... 42

# UMUSHINGE W'IMYEMERERE

# أصول العقيدة

## TAWHIID (UBWIGENGE BWA ALLAH) N'UBWOKO BWAYO:

**Tawhiid ni**: uguhesha ubwigenge Imana Allah -Nyen'Ubweranda- mu vyo yihariye, kandi itegerezwa gukorerwa bijanye n'ibikorwa yoboka Mana. Ni naco kiruta vyose mu vyo Imana Allah yategetse. Imana Allah Nyen'Ubweranda yavuze iti: ((Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Imana Allah, ni Imwe Rudende mu bumana bwayo, mu bushobozi bwo kurema no mu mazina n'amatazirano yayo")) [Al-Ikhlaasw:1].

Imana Allah Nyen'Ubweranda yaravuze kandi iti: ((Jewe Allah, sinaremye Amajini n'abantu Nkabarungikira n'Intumwa, atari ukugira banyiyegereze

mu vyo bakora vyose banansenge batambangikanya na kimwe mu biremwa)) [Ad-Dhaariyaat:56]

Imana Allah Nyen'Ubweranda yaravuze kandi iti: ((Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende, ntimukanayibangikanye n'ikintu na kimwe)) [An-Nisaa-i:36].

**Tawhiid igabuye mu bwoko butatu:**

Tawhiid ar-rubuubiyya, Tawhiid al-uluuhiyya na Tawhiid al asmaa-i was-swifaati.

**Ubwoko bwa mbere: Tawhiid ar-rubuubiyya:**

Ni uguhesha ubwigenge Imana Allah – Nyen'Ubweranda – mu kurema kwiwe no kugenzura ivyo biremwa, n'uko ari We Nyene gutanga rizki (ivya nkenerwa vy'ubuzima), ni We Nyene gutanga no kwaka ubuzima, ni we Nyene ubwami kw'isi no mw'ijuru.

Imama Allah –Nyen'Ubweranda yavuze iti: ((…nta mana Yabaremye atari Imana Allah Ibaronsa ibibabeshaho biturutse ku mvura igwa ivuye mu bicu izananye mu kirere, n'ibiva mw'isi mu bimera hamwe n'ubutare, n'ibindi. Nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo. None ni gute muyibangikanya ha kuyisenga ari Imwe Rudende!)) [Faatwir :3]

Imama Allah –Nyen'Ubweranda yavuze kandi iti: ((Harakubahwa Nyenimigisha-ntangere ku biremwa, We Rugaba w'inganji y'isi n'ijuru; ni na We Mushoboravose .)) [Al-Mulk:1].

Ubwami bw'Imana Allah – Nyen'Ubweranda – ni ubwami bukwira ibiri hose kandi Ibigenza uko Ishatse.

Na yo ku bijanye n'ubwigenge bw'Imana Allah vyerekeye kugenzura ibiremwa, Imana Allah – Nyen'Ubweranda – irihariye ico gikorwa. Niho Yoyo

Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Bantu nimwumve mwumvireho! Iremwa n'itegekwa ry'ivyo vyose ni iryayo, harakubahwa haninahazwe rero Imana Allah, Yo Mubungabunzi w'ibiremwa vyose.)) [Al-A'raaf:54]. Ubu ni ubugenduzi bukwiye ibiremwa vyose.

Kandi ntabahakanye ubu bwoko bwa Tawhiid kiretse bakeya cane mu bantu, babuhakanye ku mugaragaro ariko bavyemera mu mishaha yabo.

Nk'uko Imama Allah –Nyen'Ubweranda yavuze kandi iti: ((Firawuni n'abantu biwe rero, barahakanye ku manyama, ko nya bitangaro icenda bivuye koko ku Mana Allah, kandi ku mutima baremera ko ari ivy'ukuri…)) [An-Naml:14]

Kuvyemanga vyonyene rero ntibihagije, kuko ntaco vyamariye ababangikanyamana. Imana Allah yarabavuze iti: ((Ntumwa y'Imana! Niwabaza ababangikanyamana uti: "Ni nde Yaremye amajuru n'isi Akabiringaniza, Akagira izuba n'ukwezi ku neza y'ibiremwa?". Bazokwishura ata guhigimanga bavuga bati: "Ni Imana Allah Yabiremye". None ni gute bayibangikanya ha kuyisenga ari Imwe Rudende!)) [Al 'Ankabuut:61]

## Ubwoko bwa kabiri: Tawhiid al-uluuhiyya:

Ni uguhesha ubwigenge Imana Allah – Nyen'Ubweranda – mu bwoko bwose bw'ibikorwa yoboka Mana (ibaada), ku buryo umuntu adashira ikindi

kintu mu kibanza ca Allah ngo agisenge yongere aciyegereze.

Ubu bwoko nibwo buruta ubundi kandi buhambwaye mubwoko bwose butatu bwa tawhiid. Ni nabwo Allah yaremeye ibiremwa vyiwe. Nk'uko Imana Allah – Nyen'Ubweranda – yavuze iti : ((Jewe Allah, sinaremye Amajini n'abantu Nkabarungikira n'Intumwa, atari ukugira banyiyegereze mu vyo bakora vyose banansenge batambangikanya na kimwe mu biremwa))[Ad-Dhaariyaat:56]

Ni nabwo bwatumye Imana Allah irungika Intumwa zayo, amanura n'ibitabu. Imana Allah – Nyen'Ubweranda – yavuze iti: ((Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah, Ntitwigeze Dutuma aho hambere yawe, kiretse ko Twatuma Intumwa Tugaheza rero Tukayihishurira ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Jewe Allah. Kubera ivyo rero, nimunyiyegereze mu vyo mukora vyose munsenge mutambangikanya.)) [Al-Ambiyaa-i:25]

Ubu bwoko kandi nibwo abahakanyi biyamirije igihe Intumwa zabubahamagarirako. Imana Allah – Nyen'Ubweranda – yavuze iti: ((Bene Aadi babwiye Huudi n'agasuzuguro kenshi bati: "Aho nyene uturarikiye kwiyegereza mu vyo dukora vyose Imana Imwe Rudende Allah tunayisenge ari Yo Yonyene, duheze tuvavanure n'ibigirwamana vyasengwa n'abavyeyi bacu!)) [Al-A'raaf:70]

Ntivyemewe rero kwegurira na bumwe mubwoko bw'ibikorwa yoboka Mana (ibada) ikitari Imana Allah, yaba Umumalayika yegereye Allah, yaba Intumwa yarungitswe, yaba uwegereye Allah akora ivyiza, caba ikindi ico arico cose muvyaremwe n'Imana Allah. Kubera y'uko ibada ntiyemerwa kiretse yakozwe kubw' Imana Allah – Nyen'Ubweranda – yonyene.

## Ubwoko bwa kabiri: Tawhiid Al-Asmaa-I was-Swifaati:

Nabwo ni ukwemera uko Allah yiyise wenyene, canke yidondoye, canke uko Intumwa yiwe (Swallallahu 'alayhiwa sallama) yamwise canke yamudondoye. Umuntu akavyemeza mu buryo buhwanye n'icubahiro ciwe Allah, ata guhindura insiguro canke guhakana (ko Allah afise amazina n'uburanga vyiwe) canke kudondora ukugene ubwo buranga bwiwe bumeze canke kumusanisha murivyo n'ikindi. Ukabikora muburyo buzwi kandi bubereye ata kwifondera ivyawe. Turongera kandi tugahakana ivyo Allah yahakanye ko bitamuranga, canke ivyo Intumwa yiwe (Swallallahu 'alayhi wa sallama) yahakanye ko bitamuranga. Na birya vyose hatagaragaye ikivyemeza canke ikibihakana, ni itegeko kwirinda kugira ico tubivuzeko, nta kuvyemeza canke kubihakana (ariko kubijanye n'insiguro yavyo, ibigamije insiguro itari yo idahwanye n'Ubweranda bwa Allah

turavyiyamiriza. Nayo ibigamije insiguro y'ukuri itabujijwe kubiranga Allah, turavyemera)

**Muturorero tw'Amazina Meranda ya Allah**: Mu vy'ukuri Imana Allah – Nyen'Ubweranda – yariyise Al-Hayyul Qayyuum, ni itegeko kuri twebwe kwemera ko Al-Hayyu (Uwuhoraho) ari rimwe mu Mazina ya Allah, ni itegeko kandi kuri twebwe ko twemera uburanga iryo Zina rigaragaza nabwo ni ubuzima buhoraho butigeze bubura kandi butazigera buhera.

Imana Allah – Nyen'Ubweranda – yariyise kandi As-Samii'u (Nyen'Ukumva). Ni itegeko kuri twebwe kwemera ko As-Samii'u ari rimwe mu mazina ya Allah, n'uko kandi ukumva ari bumwe mu buranga bwiwe kandi ko nyene yumva vy'ukuri.

**Muturorero tw'uburanga bwa Allah**: N'aho Imana Allah – Nyen'Ubweranda – yagize iti: ((Abayahudi igihe baterwa n'inzara, bavuze bati: "Ukuboko kw'Imana Allah nta co kwikura". Baragapfa ata co bikuye mu gukora ivyiza! Baranavumwe bitewe n'ivyo bavuze. Imana Allah rero ntiri nk'ukwo bavuze, ahubwo nyabuna amaboko yayo ararekura mu gutanga ijoro n'umurango, Itanga uko Ishatse ku neza y'ibiremwa.)) [Al-Maa-ida:64]

Allah yaremeje ko afise ibiganza bibiri bifise uburanga bwo kuramvuka, na vyo bikaba bisigura ugutanga ku bwinshi. Ni itegeko kuri twebwe kwemera ko Imana Allah – Nyen'Ubweranda – afise ibiganza bibiri biramvuye kubw'ugutanga cane n'inema nyinshi. Ariko

kandi ni itegeko kuri twebwe kutagerageza na gato kwiha ishusho yavyo mu mishaha yacu canke kugira ico tubivuzeko n'indimi zacu kugira tumenye ukugene ivyo biganza bibiri vya Allah bimeze, ntiturekuriwe no kubigereranya n'ibiganza vy'ibiremwa; kubera ko Imana Allah – Nyen'Ubweranda – ivuga iti: ((… nta na kimwe rero gisa canke gisusa n'Imana Allah mu kuntu Iteye, mu mazina yayo, mu matazirano yayo no mu bikorwa vyayo. Ni Yo rero Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenukubona, Irabona neza ivyo mukora)) [As-Shuuraa:11]

Mu ncamake kuri buno bwoko bwa Tawhiid: n'uko ari itegeko kuri twebwe kwemeza kuri Allah ivyo We nyene yemeje ko bimuranga canke ivyo Intumwa yiwe (swallallahu 'alayhi wa sallama) yemeje ko bimuranga, no guhakana ivyo Allah yahakanye ko bitamuranga canke ivyo Intumwa yiwe (Swallallahu 'alayhi wa sallama) yahakanye ko bitamuranga haba mu Mazina canke mu buranga ata guhindura insiguro canke kumusanisha muri vyo n'ikindi canke kudondora ukugene ubwo buranga bwiwe bumeze canke guhakana (ko Allah afise amazina n'uburanga vyiwe).

## Insiguro y'Ijambo rya Tawhiid: Laa ilaaha illa Llah:

**Laa ilaaha illa Llah** niwo mushinge w'idini. Rifise n'ikibanza gihambaye mw'idini ry'ubwislamu. Ni ryo

nkingi ya mbere y'ubwislamu, ni naryo shami riri hejuru y'ayandi mu mashami y'ukwemera (Imani). No kwemerwa kw'ibikorwa guhagarariye ku kuryatura, no gutahura insiguro yaryo no gushira mu ngiro ivyo rigamije.
Nayo insiguro yaryo nyakuri idakwiye kwirengagizwa ni: **Nta mana ikwiye kwambazwa vy'ukuri kiretse Allah**. Yerekana uguhesha ubwigenge Imana Allah we nyene mukwambazwa kwiwe no kuvavanura núkwambaza ikitari We. Ni ikosa rero kurisigura ngo: Nta muremyi abaho kiretse Allah, canke ngo: ntawufise ubushobozi bwo kuvumbura ibintu kiretse Allah, canke ngo: ntawundi abaho kiretse Allah.

## Iri jambo rifise ibice bibiri:

**1. Uguhakana**, navyo bigaragarira muri aka kajambo: **Laa ilaaha** (ntayindi mana ibaho). Uba uhakanye ubumana kukintu ico arico cose.
**2. Ukwemeza**, navyo bigaragarira muri aka kajambo: **Illa Llah** (kiretse Allah). Uba wemeje ko ubumana nyabwo ari ubwa Allah wenyene ata mufasha afise.
Nta kindi gikwiriye kwambazwa kiretse Allah, nti binemewe kwerekeza zimwe muri ibada kukindi kitari Allah. Uwuzokwatura rino jambo rero, azirikana neza insiguro yaryo akongera agakora ivyo ritegeka: harimwo guhakana ibangikanyamana no kwemeza ubwigenge bwa Allah hamwe no kwemanga ata

gukekeranya ivyo rigamije no kubishira mu ngiro, uwuzorivuga muri ubwo buryo niwe mwislamu w'ukuri. N'uwuzorishira mu ngiro ariko ataryemanga ku mutima wiwe, uyo aba ari indyadya (umunafiki). Uwuzokora nawe ibinyuranye n'ivyo ritegeka ntanaryemange mumutima, uyo aba ari umubangikanyamana w'umuhakanyi, naho yorivuga ku rurimi rwiwe.

## Agaciro ka Laa ilaaha illa llah :

Iryo jambo rifise agaciro kadasanzwe n'impera zitagira uko zingana, muri zo :

**1. Ribuza kugumizwa mumuriro imyaka yose kururya azoba yaciriwe urubanza ryo kuwinjira mubantu bapfuye bari kuri Tawhiid,** vyaraje mw'ihadisi aho Intumwa ya Allah (Swallallahu'alayhi wa sallama) yavuze iti : ((Azokurwa mumuriro urya wese yatuye : Laa ilaaha illa Llah mugihe mu mutima wiwe hazoba harimwo iciza kingana n'urutete rw'ingano, kandi hazokurwa mu muriro urya wese yatuye : Laa ilaaha illa Llah mugihe mu mutima wiwe hazoba harimwo iciza kingana n'urutete rw'ururo, kandi hazokurwa mu uriro urya wese yatuye : Laa ilaaha illa Llah mugihe mu mutima wiwe hazoba harimwo iciza kingana ide.)) [Yahurijweko na Bukhari na Muslim]
**2. Haremwe amajini n'abantu kubera ryo**, Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Jewe Allah, sinaremye Amajini n'abantu Nkabarungikira

n'Intumwa, atari ukugira banyiyegereze mu vyo bakora vyose banansenge batambangikanya na kimwe mu biremwa.)) [Ad-Dhaariyaat :56], ukugira banyiyegereze mu vyo bakora vyose banansenge batambangikanya na kimwe mu biremwa, bisigura kugira bampeshe ubwigenge.

**3. Intumwa zarungitswe kubera ryo, n'ibitabu vyahishuwe kubera ryo** : Imana Allah Nyen'ubweranda yagize iti : ((Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah, Ntitwigeze Dutuma aho hambere yawe, kiretse ko Twatuma Intumwa Tugaheza rero Tukayihishurira ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Jewe Allah. Kubera ivyo rero, nimunyiyegereze mu vyo mukora vyose munsenge mutambangikanya.)) [Al-Ambiyaa-i : 25]

**4. Ni ryo jambo rya mbere Intumwa zaherako mw'ivugabutumwa ryazo**, ni ryo Intumwa zaherako mu kwigisha abantu kuyoboka Allah. Buri Ntumwa yose yabwira abantu bayo iti: ((…araheza rero ababwira ati: "Bantu banje! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana mufise ikwiye gusengwa atari Yo.")) [Al-A'raaf:59]

## Amategeko ya Laa ilaaha illa Llah:

Ijambo Laa ilaaha illa Llah rifise amategeko indwi, ntiryemerwa kiretse yose akwiye kandi umuntu

akayitwararika yose ata na rimwe ahakanye muri yo. Na yo ni:

**1. Ubumenyi**: na bwo ni ukumenya insiguro yaryo yo guhakana no kwemeza, n'ibikorwa ritegereza. Umushumba amaze kumenya ko Imana Allah Nyen'Ubweranda ari Yo ikwiye kwambazwa Yo nyene n'uko ukwambaza ikindi kitari yo bitemewe, niko kumenya insigura yaryo nyayo. Inmana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Muvugishwamana! Menya rero ko ata mana y'ukuri ikwiye gusengwa atari Imana Allah)) [Muhammad:19]

Nk'uko bishikirizwa na 'Uthmaan (Imana Allah imwumvire), bikomotse ku Ntumwa (wallallahu 'alayhi wa sallama) yavuze iti: ((Uwuzopfa azi ko ata yindi mana ikwiye gusengwa kiretse Imana Allah azokwinjira mu bwami bw'ijuru.)) [yakiriwe na Muslim: 26]

**2. Ukwizera:** navyo ni ukwatura amajambo ya shahaada ufise ukwizera umutima uturuurirako, ata gukekeranya guterwa n'amashetani mu majini n'abantu. Ni ukuyavuga wizeye ivyo agamije ukwizera nyako. Imana Allah Nye'Ubweranda yagize iti: ((Ni ukuri abemeramana koko, ni barya bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, hanyuma ntibagira amakenga mu kwemera kwabo)) [Al-Hujuraat:15]

Nk'uko bishikirizwa na Abuu Hurayrah (Inama Allah Imwumvire), vy'ukuri Intumwa ya Allah (Swallallahu

'alayhi wa sallama) yavuze iti: ((Ndashingiye intahe ko ata yindi mana ikwiye gusengwa kiretse Allah kandi ko jewe ndi Intumwa ya Allah, nta mushumba azohura na Allah yarayatuye atigeze ayabangikanyamwo, kiretse ko azokwinjira mw'ijuru)) [Yakiriwe na Muslim:27]

**3. Ukwemera:** navyo ni ukwemera ku mutima no ku rurimi birya vyose iri jambo rigamije, Umuntu akemeza amakuru yose yaryo nk'uko akomoka kwa Allah n'Intumwa yiwe atanakimwe abeshemwo, akemera birya vyose vyashikirijwe bikomotse ku Ntumwa (wallallahu 'alayhi wa sallama), akavyemera vyose ata na kimwe asigaje inyuma. Imana Allah nyen'Ubweranda yagize iti: ((Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaremeye iranizigira ivyo yahishuriwe n'Imana yayo Rurema Allah muri Qor'ani, eka n'abemeramana baravyemeye baranabishira mu ngiro; umwe wese muri bo yaremeye Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo n'Intumwa zayo zose, baraheza bavuga bati: "Ntituvangura n'imwe mu kwemera Intumwa zayo". Barongeye baravuga hamwe n'Intumwa bati: "Twumvise kandi twumviye Imana Allah, turasavye rero imbabazi n'ikigongwe cawe, Mana yacu Rurema! Ni no kuri Wewe rero tuzosubira kugira Uduhembere ivyo twakoze")) [Al-Baqara:285]

Iyi Aayah iza nk'inyishu no kutemerera babandi bagarariza amwe mumategeko y'idini rya kislamu

(Sharii'ah) canke bimwe mu bihano bitegekanijwe canke akavyankiriza. Ni nka barya bahakana igihano kijanye n'ukwiba, canke ubusambanyi, canke kurongora umugore arenga umwe, canke uburyo bwo kugabura ibisigi, n'ibindi n'ibindi.

Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Nta ho vyakabaye mu gihe Imana Allah n'Intumwa yayo bashinze ingingo, ko umwemeramana n'umwemeramanakazi baca kubiri na nya ngingo bakishirira ahabo.)) [Al-Ahzaab:36]

**4. Ukuryiyegurira**: navyo bikaba bisigura ukwishikana mukwicisha bugufi, hakaba ukwiyegurira ivyo iryo jambo "Laa ilaaha illa Llah" rigamije. Itandukaniro hagati y'ukwiyegurira n'ukwemera n'uko ukwemera ari ukugaragaza ukuri kw'insiguro yaryo mu mvugo. Ukwiyegurira nako ni ukurikurikiza mu bikorwa. Umuntu rero amaze kumenya insiguro ya Laa ilaaha illa llah, akaryizera akaryemera ariko ntariyoboke, ntiyicishe bugufi, ntanashire mu ngiro ivyo yamenye, uyo mw'ico gihe ntaba yagaragaje ivyo ukuryiyegurira bitegereza. Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Bantu! Enda nyabuna rero, nimugaruke ku Mana yanyu Rurema Allah maze mwigaye, muheze mwicishe bugufi kuri Yo)) [Az-Zumar: 54] Imana Allah Nyen'Ubweranda yarongeye iravuga iti: ((Ihibambewe! Ndarahiye kw'Izina ry'Imana yawe Rurema Allah, ko bataremera vy'ukuri, batabanje kukugira umucamanza mu matati yaduka hagati yabo,

hanyuma ntibasigarane akangonongono mu mitima yabo ku ngingo washikirije, baheze bayemere nk'uko wayishikirije ata guhigimanga)) [An-Nisaa-i: 65]

**5. Ukuri:** navyo n'uko umuntu yoba umunyakuri mu kwemera kwiwe, umunyakuri mu myemerere yiwe. Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, kandi mwame na ntaryo muri kumwe n'imvugakuri.)) Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) nayo yavuze iti: ((Umuntu azokwatura ko ata yindi mana ikwiye gusengwa vy'ukuri kiretse Allah, akavyatura mubunyakuri, azokwinjira mw'ijuru.)) [Yakiriwe na ahmad, yemezwa na Al-Albaaniy]. Uwuzokwatura shahaada ku rurimi rwiwe ariko agahakana ku mutima wiwe ivyo igamije, ivyo ntagakiza bizomuzanira, ahubwo azoba ari mu gitigiri c'indyadya. Mu bintu binyuranye n'ukuri ni uguhakana ivyo Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) yazanye vyose, canke guhakana bimwe mu vyo yazanye. Kubera ko Allah Nyen'Ubweranda yadutegetse kugamburukira iyo Ntumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) no kwemeza ubutumwa bwiwe, aca abifatanya no kumwumvira ubwiwe Allah Nyen'Ubweranda. Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Ntumwa y'Imana! Bwira

abantu bose uti: "NimwumvireImana Allah mwongere mwumvire n'Intumwa.)) [An-Nuur: 54]

**6. Umuzirikanyi:** navyo ni uko umuntu yokora ibikorwa vyiwe asaka kwishimirwa na Allah akirinda ubwoko bwose bwo kubangikanya Imana Allah muri vyo. Ni uko rero ibimukomokako vyose, haba mumajambo canke mu bikorwa, biba vyeguriwe Allah kandi bigamije ukwishimirwa na We. Ntihabe harimwo akantu na gato ko kwiyerekana, canke gushaka kumenyekana, canke gushaka inyumgu kanaka, canke kurondera ivyubahiro, canke amarangamutima agaragara canke yihishije, canke akotwararika ibikorwa yobokamana abitumwe n'urukundo afitiye umuntu runaka, canke umurwi arimwo canke urunani yicisha bugufi kuri rwo, akabikora atabihimirijwe n'itegeko rya Allah. Ni mpaka abe agamije mw'ivugabutumwa ryiwe ukwishimirwa na Allah no kuragwa ubwami bw'ijuru, ntihagire uwundi yiyegekako mubiremwa ashaka ko yamuhemba canke amushimire. Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Bantu, nimwumve mwumvireho! Iyumviramana rizira ibangikanya, rikwiye Imana Allah.)) [Az-Zumar: 3]

Kandi Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Nta n'ikindi bategetswe gukora mu mabwirizwa bahawe, atari ukwiyegereza Imana Allah mu vyo bakora vyose banayisenga ari Imwe Rudende)) [Al-Bayyinah:5]

No mw'ihadisi yahurijweko na Bukharin a Muslim dushikirizwa na 'Itbaan, Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) yavuze iti: ((Mu vy'ukuri Imana Allah yaraziririje umuriro kuri urya wese azokwatura Laa ilaaha illa Llahu, abishakamwo ukwishimirwa na Allah)). [ Yahurijweko na Bukhari na Muslim: 425, 33]

**7. Urukundo:** navyo ni ugukunda iri jambo rihambaye, n'ivyo ryerekana hamwe n'ivyo rigamije, maze umuntu agakunda Allah n'Intumwa yiwe (Swallallahu 'alayhi wa sallama) akanatanguza urukundo kuri bo kuruta ikindi ico ari co cose, agakurikiza amategeko y'urukundo n'ivyo rutegereza: asabwa gukunda Allah urukundo rurimwo kumushira hejuru no kumugira uwuhambaye, kumutinya no kwizera ivyiza vyiwe, agakunda ivyo Allah akunda mu bibanza vyeranda: nka Makkah, Madinah, n'imisigiti yose muri rusangi; n'ibiringo vyeranda: nk'ukwezi lwa Ramadhani, imisi cumi ya mbere ya Dhul Hijjah, n'ibindi; no gukunda abantu beranda: nk'intumwa n'abavugishwamana, abamalayika, abantu b'imvugakuri, abapfiriye idini, aberanda bakora ivyiza; gukunda ibikorwa vyeranda: nk'amasengesho, gutanga ishikanwa-bwirizwa, ukwisonzesha, ukugendera ingoro nyeranda (Hijjah); n'amajambo meza: nko kuninahaza Allah no gusoma Qor'ani Nyeranda.

Mu bijanye n'urukundo kandi: ni ugushira imbere ivyo Allah Akunda kuruta ivyo umushaha ukunda

n'amarangamutima n'ivyipfuzo vyawo. Harimwo kandi: ukwankiriza birya vyose Allah Yanka, umuntu akankiriza ubuhakanyi n'ibicumuro n'ubugizi bwa nabi. Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Uwuzoramuka yisubiyeko muri mwebwe, akava mw'idini ryiwe ry'ubwislamu, nta co azokwicira Imana Allah, kuko Izoheza Izane abandi bantu Ikunda, kandi na bo nyene bakayikunda, bicisha bugufi bakanagirira impuhwe abemeramana, bagakarira abagarariji, bagaharanira n'idini ryayo ata gutinya igitsure c'umuntu n'umwe.)) [Al-Maa-ida: 54]

## Insiguro y'Ijambo: (ndashingiye intahe ko) Muhammad ari Intumwa ya Allah (Swallallahu 'alayhi wa sallama)

Insiguro yaryo ni ukwemanga ku mugaragaro no mu mpisho ko iyo Ntumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) ari umushumba wa Allah akaba n'Intumwa yiwe ku bantu bose, no gushira mu ngiro ivyo iyo nsiguro igamije, mu kumwumvira muvyo yategetse, nokwemeza ivyo yavuze, nokuja kure ya birya vyose yabujijje kandi arankiriza, no kutambaza Allah kiretse hisunzwe ivyo yigishije.
Ijambo ryo gushingira intahe ko Muhammad ari Intumwa ya Allah rifise inking zibiri, na zo ni (kuba ari) **Umushumba wa Allah** akaba n'**Intumwa**

yiwe. Ibirero bikuraho ukurenza urugero canke gusubiza hasi icubahiro ciwe (Swallallahu 'alayhi wa sallama), kuko ni Umushumba wa Allah akaba n'Intumwa yiwe.

Ni we kiremwa yikwije kuruta abandi muri ubu buranga bubiri bweranda. Insiguro y'umushumba ngaha ni: umucakara, uwambaza, bivuze ko ari umuntu, yaremwe muvyo kiremwa muntu yaremwemwo, ashikirwa n'ibishikira abandi bose. Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti: ((Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Mu vy'ukuri jewe ndi umuntu nkamwe…")) [Al-Kahf: 110]. Imana Allah Nyn'Ubweranda Yagize kandi iti: ((Nihashimagizwe Imana Allah Yamanuriye Igitabu ca Qor'ani, Umuja wayo akaba n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kandi ntiyigeze Ishira muri nya Gitabu ca Qor'ani ingingo n'imwe idashingiye ku kuri.)) [Al-Kahf:1]

**Insiguro y'Intumwa ya Allah**, ni uwarungitswe ku bantu bose kugira abahamagarire kwambaza Allah abahe inkuru nziza (y'ubwami bw'ijuru kubazogamburukira allah) no kubagabisha (n'ivyago vy'umuriro kubazogarariza Allah). Ukumushingira intahe kuri ubwo buranga bubiri: ni uguhakana ukurenza urugero canke gusubiza hasi icubahiro ciwe (Swallallahu 'alayhi wa sallama), bivanye n'uko

benshi muri barya biyitirira ko bari murunganwe rwiwe bararengeje urugero mukumuha ivyubahiro, baranakavya gushika aho bamukuye kurugero rw'uwambaza bamushira kurw'uwambazwa mu gishingo ca Allah, bakamusaba ugukingirwa mu gishingo ca Allah, bakamuronderako ivyo atawundi abifitiye ubushobozi kiretse Allah mu batunganiriza ivyipfuzo vyabo no kubakuriraho ingorane. Abandi nabo baragwanije ubutumwa bwiwe, barankiriza ukumukurikira kandi baragabanya icubahiro ciwe gitegerezwa, bashira imbere amajambo y'abandi bantu kurusha ay'iwe (Swallallahu 'alayhi wa sallama), bareka Sunna ziwe bongera barazirengagiza ahubwo bafatanka nkama amajambo n'imvugo zitandukanye n'ivyo yazanye (Swallallahu 'alayhi wa sallama).

# UKWEMERA N'INKINGI ZAKWO

**Ukwemera:** ni amajambo n'ibikorwa n'imyemerere, ukwemera kwiyongera mukwumvira amategeko y'imana Allah, kukagabanuka mu gukora ibicumuro n'ivyaha. Uko kwemera rero ni: amajambo twatura ku mutima no ku rurimi, ibikorwa dukora vy'umutima n'ururimi n'ibihimba vy'umubiri.
Ukwatura ku mutima ni: imyemerere no kurangwa n'ukuri. Nayo ukwatura ku rurimi ni: ukwemanga mu kugaragaza ikiri ku mutima.
Ibikorwa vy'umutima ni: ni ukwicisha bugufi kwawo, ukwinengesera gushimisha Allah kwawo, kwubahiriza amategeko, urukundo n'ugushaka kwawo ko gukora ibikorwa vyiza. Nayo ibikorwa vy'ibihimba vy'umubiri ni: gukora ivyategetswe no kureka ivyabujijwe.
Igitabu Ceranda Qor'ani na sunna z'intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) vyarerekanye ko ukwemera gufise inking gushimikiyeko, arizo: ukwemera Allah, n'abamalayika biwe, n'ibitabu vyiwe, n'Intumwa ziwe, no kwemera umusi w'umuhero, hamwe no kwemera ivyagezwe vyaba vyiza canke bibi (mumaso yacu). Nk'uko biri mu mvugo ya Nyen'Ubweranda: ((Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaremeye iranizigira ivyo yahishuriwe n'Imana yayo

Rurema Allah muri Qor'ani, eka n'abemeramana baravyemeye baranabishira mu ngiro; umwe wese muri bo yaremeye Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo n'Intumwa zayo zose, baraheza bavuga bati: "Ntituvangura n'imwe mu kwemera Intumwa zayo". Barongeye baravuga hamwe n'Intumwa bati: "Twumvise kandi twumviye Imana Allah, turasavye rero imbabazi n'ikigongwe cawe, Mana yacu Rurema! Ni no kuri Wewe rero tuzosubira kugira Uduhembere ivyo twakoze".)) [Al-Baqara: 285]

Ni nk'uko kandi vyaje mugitabu Sahih Muslim, mw'ihadisi ya Umar mwene Al-Khattwaab (Imana Allah Imwumvire): (Vy'ukuri umumalayika Jibril (Amahoro abe kuri we) yarabajije Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) kubijanye n'ukwemera, yishura iti: ((Ukwemera n'uko wemera Allah, n'abamalayika biwe, n'ibitabu vyiwe, n'Intumwa ziwe, no kwemera umusi w'umuhero, hamwe no kwemera ivyagezwe vyaba vyiza canke bibi)) [Yakiriwe na Muslim:8]

Ibi bintu bitandatu nivyo mushinge w'imyemerere y'ukuri yahishuwe mu gitabu Ceranda ca Allah kandi yarungikanywe Intumwa yiwe Muhammad (Swallallahu 'alayhi wa sallama), bikaba vyitwa: Inkingi z'ukwemera.

## Ubwa mbere: Ukwemera Allah:

Navyo ni ukwemera ubwigenge bwa Allah mubijanye n'ibikorwa vyiwe, n'ubumana bwiwe bwo gusengwa, be n'amazina yiwe n'uburangabwiwe. Mu vyerekeye ukwemea Allah Nyen'Ubweranda ni:

1. Ukwemera ko ariwe Mana y'ukuri ibereye kwambazwa ataco abangikanijwe naco; ni We Mana Rurema w'abashumba biwe, Ibagirira neza kandi ibaronsa ivyo bakenye vyose. Arazi amabanga yabo n'ivyo bagaragaza, ni we afise ubushobozi bwo guhemba ivyiza abamugamburukira no guhana abamugambararira.

Ukuri kwavyo rero ni: uguhesha ubwigenge Allah Nyen'Ubweranda muburyo bwose bwo kwambazwa kwiwe mubwoko bw'ibikorwa yobokamana, bigakorwa mukwicisha bugufi no kwizera ivyiza no gutinya ibihano vyiwe Nyen'Ubweranda, hakajamwo n'urukundo kuri we no kwishira hasi kucubahiro ciwe. Igice kinini ca Qor'ani cahishuwe kubera iki kintu shimikiro ca mbere gihambaye, nk'uko Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Kubera ivyo rero, niwiyegereze Imana Allah mu vyo ukora vyose, unayisenge ari Imwe Rudende, weze n'ivyo ugira vyose ku bwayo. Bantu, nimwumve mwumvireho! Iyumviramana rizira ibangikanya, rikwiye Imana Allah.)) [Az-Zumar:2-3]. Ahandi yagize ati: ((Muntu! Imana yawe Rurema Allah, Yabwirije ko

hatokwiyegerezwa mu bikorwa no mu gusenga ikintu na kimwe kiretse Yo gusa…)) [Al-Israa-i: 23]. N'ahandi kandi yagize ati: ((Bemeramana! Nimwiyegereze rero Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende, mweze n'ivyo mugira vyose ku bwayo n'aho vyoshavuza abagarariji.)) [Ghaafir: 14]
Ibikorwa yobokamana rero biri ubwoko bwinshi cane: ugusaba, ukugira ubwoba, ivyizigiro, ivyizere, igishika c'ivyiza, ugutinya ibihano, ugutinya, ukwigaya, ugusaba ubufasha, ukwikinga, ugutabaza, ukubaga, indagano, n'ibindi mu bwoko bw'ibikorwa yobokamana bitemewe ko hari na kimwe gikorerwa ikindi kitari Imana Allah. Mbere gukora ico arico cose muri ivyo ucerekeza kukindi kitari Allah, ni ukumubangikanya no guhakana.

**Icemezo c'ugusaba**, n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Bantu! Imana yanyu Rurema Allah Yavuze Iti: "Nimunsabe mutambangikanya na kimwe mu biremwa, maze Ndabahe ivyo musavye; mu vy'ukuri, abagira amanyama mu kuticisha bugufi ngo banyiyegereze mu vyo bakora banansenge Ndi Imana Imwe Rudende, bazokwinjira mu muriro wa Jahannamu basuzuguritse".)) [Ghaafir: 60]
Tubisanga kandi mw'ihadisi dushikirizwa na An-Nu'maan mwene Bashiir (Imana Allah Imwumvire), bikomotse ku Ntumwa (Swallallahu 'alayhi wa

sallama) yavuze iti: ((Ugusaba ni igikorwa yobokamana)) [Yakiriwe na At-Tirmidhiyy: 2969]

**Icemezo c'ukugira ubwoba**, n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Kubera ivyo rero, ntimukabatinye na gato, nta co bashoboye kubagira. Muraheza rero nyabuna muntinye Jewe Allah mu kunyumvira nimwaba munyemera mukanemera n'Intumwa yanje.)) [Aali Imraani: 175]

**Icemezo co kugira ivyizigiro** n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((''…uwo wese rero yizera ko azozuka agahura n'Imana yiwe Rurema Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa kugira Imuhembere ivyo yakoze, nakore ibikorwa vyiza bitegetswe, kandi ntabangikanye Imana yiwe Rurema Allah n'ikintu na kimwe mu biremwa mu kuyiyegereza ayisenga")) [Al-Kahf: 110]

**Icemezo co kugira ivyizere** n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((''…kandi rero nimwishimikize Imana Allah muyizere nimwaba mwemera koko Intumwa yayo, mwubahiriza n'amabwirizwa yayo".)) [Al-Maa-ida: 23], n'iyindi mvugo yiwe ati: ((Uwishimikije Imana Allah akayizera rero, Iramurwanako)) [At-Twalaaq: 3]

**Icemezo co kugira igishika c'ivyiza**, **ugutinya ibihano n'ukwicisha bugufi** n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, abo bose Tukudondaguriye barahurumbira ivyiza, bakanadusaba barajwe ishinga no kuronka inema zacu, batinya n'ibihano vyacu, baranicisha bugufi kuri Twebwe Allah.)) [Al-Ambiyaa-i: 90]

**Icemezo c'ugutinya** n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((ntimukabatinye, ahubwo murantinya Jewe Allah maze mukurikize amabwirizwa yanje)) [Al-Baqara: 150]

**Icemezo c'ukwigaya** n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Bantu! Enda nyabuna rero, nimugaruke ku Mana yanyu Rurema Allah maze mwigaye, muheze mwicishe bugufi kuri Yo)) [Az-Zumar: 54]

**Icemezo c'ugusaba ubufasha** n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Ni Wewe gusa twiyegereza mu vyo dukora vyose tukanagusenga, kandi ni Wewe gusa dutakambira mu gusaba imfashanyo.)) [Al-Faatiha: 5]
Intumwa y'Imana (Swallallahu 'alayhi wa sallama) nayo yaravuze iti: ((niwashaka gusaba ubufasha uze ubusabe Allah)) [Yakiriwe na Tirmidhiy: 2516]

**Icemezo c'ukwikinga** n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ndikinze ku Mubungabunzi w'abantu bose)) [An-Naas:1]

**Icemezo c'uguta**baza n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Nimwibuke inema y'Imana Allah kuri mwebwe ku musi w'urugamba rwa Badri, igihe mwitabaza Imana Allah ngo Ibahe intsinzi yo kunesha umwansi wanyu, gutyo Imana Allah Iraheza Irabumvira)) [Al-Anfaal: 9]

**Icemezo c'ukubaga** n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Ntumwa y'Imana! Babwire kandi uti: "Mu vy'ukuri, isengesho ryanje, ikerera ryanje ry'ibitungwa[1], ubuzima bwanje no gupfa kwanje, vyose biba ku bw'Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose Iyo Mana Allah, ntibangikanywa n'ikintu na kimwe mu bumana bwayo, canke mu bushobozi n'ububasha bwayo bwo kurema, canke mu mazina no mu matazirano yayo.
Ivyo, ni vyo biranga ukwemera nategetswe n'Imana yanje Allah, kandi ni jewe nabaye uwa mbere mu bantu narungitsweko yemanga ko Imana Allah ari Imwe Rudende)) [Al-An'aam: 162-163]
Mu nyigisho z'Intumwa (Sunna), yaravuze iti: ((Imivumo ya Allah iri kuri urya wese azobagira ikindi kitari Allah)) [Yakiriwe na Muslim: 1978]

**Icemezo c' indagano** n'aho Nyen'Ubweranda yagize ati: ((Bakiri kw'isi rero, barubahiriza ivyo biyemeje "nadhri" bakabishira mu ngiro, bagatinya n'ibihano vyo ku musi, ivyago vyawo bizoba bihambaye, vyugarije hose)) [Al-Insaan: 7]

Si ivyo gusa, no mu bikorwa vya kamere ka kiremwa muntu, abikoze agamije gukomeza ukugamburukira Allah, nko kuryama, gufungura, kunwa, kurondera ivyomubeshaho (rizqi), kurongora, n'ibindi, birahinduka bikitwa ibikorwa yobokamana mu gihe abikoranye umuzirikanyi mwiza, maze umwislamu akabihemberwa.

2. Mubijanye no kwemera Allah kandi, ni ukwemera birya vyose yagize ngombwa kuri kiremwa muntu yongera Arabimutegeka, mubijanye n'inkingi z'ubwislamu uko ari zitanu zigaragara. Nazo ni:

Ugushingira intahe ko ata yindi mana iwiye gusengwa vy'ukuri kiretse Allah kandi ko Muhammad ari Intumwa ya Allah, guhozako gusenga amasengesho (atanu y'itegeko), gutanga ishikanwa-bwirizwa, kwisonzesha mukwezi kwa Ramadhan, no kugendera ingoro nyeranda iri i Makkah k'uwubifitiye ubushobozi. N'ibindi bitegetswe biri mu mategeko asukuye y'idini.

3. Mu bijanye kandi no kwemera Allah, ni ukwizera ko ari We muremyi w'ibiremwa vyose kandi ari We abigenzura. Ni nawe abihindagura uko

ashatse bivanye n'ubumenyi bwiwe hamwe n'ubushobozi bwiwe. Ni nawe mwami w'isi n'ijuru, akaba ari we Mana Murezi w'ibirenwa. Nta wundi muremyi abaho atandukanye na We, nta n'uwundi murezi abaho atandukanye nawe. Imana Allah kandi yararungitse Intumwa yongera Ihishura ibitabu vyayo kugira habeho gutyorora kiremwa muntu no kumuhamagarira kuri birya bimufitiye inyungu n'ukoroherwa mu buzima bwo mw'isi n'ubw'inyuma yo gutandukana na yo. Allah kandi nta mbangikane afise muri ivyo, nk'uko nyene yabivyze ati: ((Imana Allah, ni Yo Rurema Ikaba n'Umugabe Yaremye ibintu vyose, ni na Yo Muhagarikizi Itunganiriza ibiremwa)) [Az-Zumar: 62]

4. Mu bijanye kandi no kwemera Allah, ni ukwemera amazina yiwe meranda n'uburanga bwiwe butagatifu nk'uko vyagaragaye mu gitabu ciwe ceranda kandi vyagaragaye ku Ntumwa nyen'ukwizigirwa (Swallallahu 'alayhi wa sallam) ata guhindura insiguro canke guhakana (ko Allah afise amazina n'uburanga vyiwe) canke kudondora ukugene ubwo buranga bwiwe bumeze canke kumusanisha murivyo n'ikindi. Hajamwo kandi no kwemera insiguro zavyo zihambaye, kuko ni ibiranga Allah (Nyen'Ubweranda) kandi dutegerezwa kubimwitirira mu buryo buberanye na We ata kumusanisha na kimwe mu biremwa vyiwe, nk'uko

Nyen'Ubweranda yavuze ati: ((nta na kimwe rero gisa canke gisusa n'Imana Allah mu kuntu Iteye, mu mazina yayo, mu matazirano yayo no mu bikorwa vyayo. Ni Yo rero Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenukubona, Irabona neza ivyo mukora)) [As-Shuuraa: 11]

**Ubwa kabiri: Ukwemera abamalayika:**

Kuri iyi nkingi, harimwo: kubemera bose muri rusangi n'umwumwe wese mubikorwa yajejwe na Allah.

Kukijanye no kubemera bose muri rusangi, turemera ko Allah afise abamalayika yaremye yongera abategeka kumugamburukira. Nabo bari imirwi myinshi: hariho abajejwe kurerura inganji ya allah, harimwo kandi abajejwe gucungera ijuru n'umuriro, muri bo harimwo abajejwe kubungabunga ibikorwa vy'abantu.

Nayo kubijanye no kwemera umwumwe wese, turemera abo Allah n'Intumwa (Swallallahu ‘alayhi wa sallama) bavuze mumazina yabo nka Jibril, na Mikaa-iil, na Maalik acungera umuriro, na Israafiil ajejwe kuzovuza inzamba.

Allah yaremye abamalayika mumuco, nk'uko vyagaragaye bikomotse kwa Aïsha (Allah Amwumvire), vy'ukuri Intumwa (Swallallahu ‘alayhi wa sallama) yavuze iti: ((Abamalayika baremwe mumuco, amajini na yo yaremwe rubeya rw'umuriro,

Adamu nawe yaremwe muvyo mwiganiwe)) [Yakiriwe na Muslim: 2996]

**Ubwa gatatu: ukwemera ibitabu vyeranda:**
Ni itegeko kwemera muri rusangi ko vy'ukuri Allah (Nyan'Ubweranda) yamanuye ibitabu ku bavugishwamana n'Intumwa ziwe kugira babagaragarize ukuri gukomoka Iwe kugenewe abashumba biwe, no kubahamagarira kugamburuka uko kuri. Turemera kandi kimwe kimwe ivyo Allah yavuze mw'izina nka : Tawuraati, n'Injili, na Zaburi na Qor'ani. Qor'an nayo niyo yaheturiye vyose, irabisubirira yongera ibishingira intahe.
Niyo kandi abantu bose basabwa gukurikiza no kwifashisha mugufata ingingo hamwe n'ibindi vyemewe vyagaragaye mu nyigisho z'Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama), kubera ko Allah (Nyen'Ubweranda) yarungitse Muhammad (Swallallahu 'alayhi wa sallama) nk'Intumwa kubiremwa vyose (amajini n'abantu), aca amuhishurira iyo Qor'ani kugira abacire imanza ayisunze. Yayigize kandi urukiza kungese z'umutima n'igitabu gitomora buri kintu cose, n'indongozi n'impuhwe kubantu. Nk'uko Nyen'Ubweranda yagize ati : ((N'iyi Qor'ani rero, ni Igitabu gihezagiye Twamanuriye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Enda rero nimugikurikire mu kwubahiriza amabwirizwa yaco,

muniyubare kuyarengako kugira mugire impuhwe z'Imana Allah.)) [Al-An'aam :155].
Yarongeye kandi aravuga ati : ((Twakumanuriye n'Igitabu ca Qor'ani kugira gitomore ikintu ico ari co cose gikeneye insiguro, congere kibere uburongozi n'impuhwe abacemera, kibere n'inkuru nziza iremesha abislamu.)) [An-Nahl :89]

**Ubwa kane : Ukwenmera Intumwa :**
Ni ngombwa kwemera Intumwa zose muri rusangi n'imwimwe mu buryo bwihariye. Turemera ko Allah Nyen'Ubweranda yarungikiye abashumba biwe Intumwa zibaha inkuru nziza y'ivyiza vy'ijuru kandi zibagabisha n'ibihano vy'umuriro, zongera zikababahamagarira mu nzira y'ukuri, nk'uko Allah Nyen'Ubweranda yagize ati : ((Ni ukuri mu mugwi wose w'abantu, Twararungitse Intumwa ibabwiriza iti: "Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende, muheze muvavanure n'ibangikanyamana mu gusenga ibigirwamana vy'ubwoko bwose)) [An-Nahl : 36].
Urya wese azokwitabira akamo kazo azoronka intsinzi y'amahoro n'umunezero. Nayo uwuzoja kubizi nazo azogira uruhombo rukomeye n'ukwicuza.
Turemera ko ivugabutumwa ry'Intumwa zose ari rimwe, naryo ni ukubahamagarira kuri Tawhiid n'uguhesha ubwigenge Allah muri ibada ziwe, kiretse

ko gusa batandukana mumategeko ngenderwako n'ingingo zafata aba n'abandi.
Turemera kandi ko Allah yabarutarutanishije, ko rero uwubaruta bose agaciro yanabaheturiye ari Intumwa Muhammad (Swallallahu 'alayhi wa sallama), nk'uko Allah Nyen'Ubweranda yabivuze ati : ((Ni ukuri Twebwe Allah, Twaradugije icubahiro bamwe mu Bavugishwamana gusumba abandi, mu guhabwa Ibitabu n'ubwinshi bw'ababakurikiye)) [Al-Israa-i : 55]

Allah Nyen'Ubweranda yarongeye aravuga ati: ((Muhamadi, ntiyigeze aba se w'uwo wese muri mwebwe, ariko ni Intumwa y'Imana Allah, akaba n'Umuhetuzi w'Abavugishwamana bose gushika ku musi w'umuhero w'isi.)) [Al-Ahzaab : 40]
Na barya Allah yavuze mumazina, canke vyagaragaye Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) imuvuga mw'izina, turamwemera muri rusangi no mu buryo bwihariye : nka Nuuh, na Huud, na Swaleh, na Ibrahim, n'abandi allah abahundagazeko bose be n'Intumwa yacu amahoro n'imihezagiro vyuzuye.

**Ubwa gatanu : Ukwemera umusi w'umuhero :**
Aha hajamwo ukwemera birya vyose Allah n'Intumwa yiwe (Swallallahu 'alayhiwa sallama) batubwiye mubishikira umuntu inyuma y'urupfu, nk'ibigeragezo vyo mu mva, ibihano n'ivyiza vyaho, hamwe n'amahano n'ingorane bizoba ku musi

w'umuhero, ikiraro ca siraatw, umunzane uzopima ibikorwa vy'abantu, uguharurirwa n'uguhembwa, gutanga ibitabu no kubikwiragiza mu bantu, hakazobamwo abazokwakira igitabu cabo mu kuryo, n'abandi bazocakira mu kubamfu, abandi inyuma y'umugongo.
Murivyo kandi harajamwo : kwemera igikombe c'umugisha cagenewe Intumwa Muhammad (Swallallahu 'alayhi wa sallama), no kwemera ko buri ntumwa ifise igikombe nk'ico yagenewe nk'uko vyaje mu nyigisho za Sunna.
Harajamwo kandi : ukwemera kubaho kw'ijuru n'umuriro, n'uko abemeramana bazobona Imana yabo Murezi (Nyen'Ubweranda) n'uko azobavugisha, n'ibindi n'ibindi nk'uko vyavuzwe muri Qor'an Nyeranda na Sunna yemewe y'Intumwa ya Allah (Swallallahu 'alayhi wa sallama).
Ni ngombwa kuvyemera vyose no kwemeza ko ari ukuri mu buryo twasiguriwe na Allah n'Intumwa yiwe (Swallallahu 'alayhi wa sallama).

## Ubwa gatandatu : Ukwemera ingingo n'ivyagezwe vya Allah :

### Harimwo ukwemera ibintu bine bikurikira :

**Ica mbere :** n'uko Allah Nyen'Ubweranda Azi ivyabayeho kera n'ibiriho ubu, kandi ko Azi amakuru ajanye n'abashumba biwe, ivyo bakeneye vyo

kubabeshaho, ibizobashikira n'ibikorwa vyabo bazokora, hamwe n'ibindi mubibega. Nta na kimwe muri vyo cihisha kuri We (Nyen'Ubweranda), nk'uko nyene yabivuze ati : ((Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikenewe mu kurongoka mu nzira yayo.)) [At-Tawba : 115]

**Ica kabiri :** n'uko Allah Nyen'Ubweranda Yanditse buri kintu cose yagenye yongera arafatira ingingo, nk'uko nyene Yabivuze (Nyen'Ubweranda) ati : ((kandi rero ikintu ico ari co cose bakoze, Twarakibungabunze mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudhw.)) [Yaasiin : 12]

**Ica gatatu :** ukwemera ishaka rya Allah riranguka kandi ryamyeho, ivyo Allah Ashstse biraba, ivyo adashatse navyo ntibiba, nk'uko Yabivuze (Nyen'Ubweranda) ati : ((Imana Allah Imwishura Iti: "Ni nk'ukwo nyene rero Imana Allah Ikora ivyo Ishaka mu bitangaro".)) [Aali Imraani : 40]

**Ica kane :** kwemera ko Allah Nyen'Ubweranda Yaremye ivyo vyagezwe imbere y'uko bishika, nk'uko Yabivuze ati : ((Mugaheza mukareka kwiyegereza Imana Allah mu vyo mukora ntimunayisenge, kandi ari Yo Yabaremye, Ikarema n'ivyo mukora!")) [As-Swaaffaat : 96]

# UKUBANGIKANYA IMANA ALAH (SHIRKI) N'UBWOKO BWAVYO

**Ukubangikanya Imana Allah:** ni umushumba gushiriraho Allah ikigirwamana mubijanye n'ibikorwa vyiwe, canke ubumana bwiwe, canke amazina yiwe n'uburanga bwiwe.

**Shirki iri ubwoko bubiri**: Shirki nkuru na shirki ntoya

**Ubwa mbere: Shirki nkuru**: ni ukwegurira bumwe mu bwoko bwa ibada ikindi kitari Allah. Uwuzopfa akiri muri iyo shirki atigeze yihana, azotabwa mu nyenga y'umuriro imyaka yose. Nk'uko kandi yonona ibikorwa vyose vyiza umuntu yakoze. Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti : ((Iyo bishika rero ko Abavugishwamana bahirahira bakabangikanya Imana Allah, ibikorwa vyabo ni ukuri vyari guhunguruka bikaba impfagusa.)) [Al-An'aam :88]

Shiki nkuru kandi ntibabarirwa na Allah kiretse uwayikoze yihanye ubutagisubira, Imana Allah Nyen'Ubweranda yagize iti : ((Mu vy'ukuri, Imana Allah ntigumiriza akabanga ngo Ibabarire icaha co kuyibangikanya n'ikintu na kimwe mu biremwa, canke kuyigarariza mu buryo ubwo ari bwo bwose buciye kubiri n'ukwemera, mu gihe uwagikoze yopfa atarigaya. Imana Allah Igumiriza akabanga,

Ikababarira ibindi vyaha n'ibicumuro bitari ivyo ku wo Ishatse mu biremwa. Uwo wese rero abangikanije Imana Allah n'ikindi kintu, aba yadukanye icaha rutura koko.)) [An-Nisaa-i : 48]

**Muturorero twa shirki nkuru harimwo** : gusaba ikitari Allah, canke kugirira indagano ikitari Allah, canke kubagira ikitari Allah, n'ibindi, canke kandi umuntu gufata ikigereranyo mu gishingo ca Allah, akagikunda nk'uko akunda Allah, nk'uko Nyen'Ubweranda yabivuze ati: ((N'aho biri ukwo, mu bantu harimwo abirengagiza Imana Allah bakagira mu gishingo cayo ibigirwamana bakunda nka kurya bategerezwa gukunda Imana Allah, kandi bitabikwiye.)) [Al-Baqara: 165]

**Ubwa kabiri: Shirki ntoya:** navyo ni birya vyose vyabonetse mu gitabu ca Qor'an canke inyigisho z'Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) bikitwa Shirki ariko ntibigere ku rugero rwa Shirki nkuru. Ubwo bwoko bwa Shirki ntibukura umuntu mu bwislamu, ariko bugabanya urugero rwa Tawhiid, nko kwiyerekana vyo kurugero ruto, no kuvuga ngo :"Allah Abishatse **na** wewe ukabishaka", cake ngo: "Iyo hataba Allah **na** wewe", canke kurahirira ikindi kintu kitari Allah ariko hatagiyemwo kwizera ko ico uwo muntu yarahiriye gifise ububasha bwo kugirira akamaro umuntu canke kumuteza ingorane

mugishingo ca Allah, canke kuvuga ngo: ″vyavanye n'ugushaka kwa Allah **hamwe** n'ugushaka kwa naka", n'ibindi nk'ivyo nk'uko Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama yabivuze ati: ((Ico ndabatinyirira kuruta ibindi ni Shirki ntoya)). Abajijwe iyo ari yo, yishuye ati: ((Ni riyaa-ukwiyerekana)) [Yakiriwe na Ahmad].

Ni n'aho kandi Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama yagize ati: ((Uwuzorahirira ikindi kitari Allah azoba yabangikanije)) [Yakiriwe na Abuu Dawud: 2829]

Mu bindi bikorwa vyinjira muri kino gice ca shirki harimwo: kwambara ibiheko, no gukenyera canke kwambara imikanda n'inyuzi kugira ngo bikurinde ingwara n'ingorane canke bigukingire. Ariko ageze ku rugero rwo kwizera ko ivyo bintu yambaye ubwavyo bifise ubushobozi bwo kumugirira akamaro canke kumuteza ingorane, ko atari kuvyifashisha bisanzwe, ivyo bimwinjiza muri shirki nkuru.

# INCAMAKE Y'IMYEMERERE Y'UMURWI UZORONKA INTSINZI

Mu vy'ukuri imyemerere y'umurwi uzoronka intsinzi, ariyo myemerere y'abantu bagendera sunna n'ugufatanamunda n'uko:

Umwemerera Mana w'ukuri arashingira intahe ko Allah ariwe Murezi kandi ariwe Mana yambazwa, yisangize ubuziranenge, agaca rero amwambaza wenyene amuhariye idini mukutamubangikanya na kimwe.

Arazi kandi ko vy'ukuri Allah ariwe Rurema …… atanga ishusho, agatanga n'ivyankenerwa, nyene gutanga no kwima kuwo ashatse, agenza ibintu vyose uko ashatse.

Aremera kandi ko Allah ariwe akwiriye kwambazwa vy'ukuri, n'uko kandi ariwe wa mbere atacamutanguriye, kandi ariwe wa nyuma atakizoza inyuma y'iwe, ariwe ari hejuru ya vyose atacomuja hejuru, kandi ariwe ari musi ya vyose atanakimwe kiza musi y'iwe.

Ni we kandi Nyen'Ubweranda buri hejuru ya vyose, araruta buri kintu cose muburyo bwose bubaho, haba kaba hejuru ubwiwe, no kuba hejuru bivanye n'ubushobozi bwiwe, no kuba hejuru bivanye n'ubuhambazi bwiwe.

Aremera n'uko Allah Ahangamye ku Ntebe y'Inganji yiwe uguhangama guhwanye n'ubuhambazi hamwe n'icubahiro vyiwe. N'aho ari hejuru ya vyose muri rusangi, ubumenyi bwiwe bwobwo bukwiye buri kintu cose, ikiboneka n'icihishije, ni we mumenyi w'ibiri hejuru n'ibiri musi. Kandi ari kumwe n'abashumba biwe mu bumenyi bwiwe, arazi ibiberekeye vyose. Ni nawe ari hafi cane kandi yishura ibisabisho.
Aremera ko Allah yikwije ataco akeneye kubiremwa vyiwe. Ibiremwa vyose bikeneye ubufasha bwiwe kukuboneka kwavyo no kuronka ivyo bikeneye ibihe vyose. Nta n'umwe yikwije na gato kuri Allah, ni we Nyinikigongwe n'impuhwe, We ata nema n'imwe ijanye n'ivy'isi canke ivy'ijuru kiretse yuko ikomoka iwe Nyen'Ubweranda. Ni We atanga inema zose, Agakinga ivyago vyose.
Mu mpuhwe ziwe n'uko yururuka buri joro gushika kw'ijuru riri hejuru y'isi igihe hasigaye ica gatatu ca nyuma c'ijoro, akavuga ati : ((Ni nde yonsaba nkamuha ico ashatse, ni nde yonsaba ikigongwe nkakimugirira)), gushika Alfajri igeze. Yururuka muburyo buhuye n'icubahiro ciwe.
Ni We Nyene gushiraho amategeko Afise ubushishozi bwo kurwego rwo hejuru mumategeko yiwe n'ubushobozi bwiwe. Nta na kimwe yaremeye ubusa,

nta n'itegeko yashizeho kiretse ko ririmwo guharanira ineza no gukinga ubwononyi.

Niukwemera kandiko Allah ari Nyenikigongwe, Nyenimbabazi, aremera ukwihana kw'umushumba wiwe akanirengagiza amakosa akanababarira ivyaha bikomeye kuri barya bazokwihana bagasaba ikigongwe bakigaya.

Ni nyene ugushima, arashima ibikorwa bike akabitangir impera nyinshi, akarengerezako ivyiza abamushimira.

Umwemeramana w'ukuri atazira Allah uko We nyene Yitaziriye akanatazirwa n'Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) mubijanye n'uburanga bwiwe bwite n'uburanga bujanye n'ibikorwa vyiwe, nk'ukuzokwamaho, ukwumva n'ukubona, ubushobozi bwuzuye n'icubahiro n'ubuhambazi, ugutazirwa, ugushirwa hejuru, ubwiza n'ukwikwiza, n'amashimwe yose.

Aremera kandi ivyaje vyose mu gitabu ceranda bigashimangirwa na sunna : y'uko abemeramana bazobona Imana Murezi wabo (Nyen'Ubweranda) mw'Ijuru imbona nkubone, kandi ko inema yo kumubona no kwishimirwa na We arizo nema zihambaye n'uburyohe bizoboneka mw'Ijuru.

No kwemera kandi ko urya wese azopfa adafise ukwemera n'uguhesha ubwigenge Allah azotabwa muri Jahannamu ibihe vyose. N'uko kandi

abemeramana bakoze ivyaha bikomakomeye bapfuye batihanye, binjijwe mumuriro batazomarayo ibihe vyose, ntanuwuzokwama mumuriro mugihe yari afise n'ukwemera guke cane kiretse ko azowukurwamwo inyuma y'ikiringo Allah azoshaka.
N'uko kandi ukwemera kurimwo imyemerere yo ku mutima, n'amajambo n'ibikorwa vyawo hamwe n'ibikorwa vy'ibihimba vy'umubiri n'amajambo yo ku rurimi. Uwuzobigendera muburyo bwuzuye ni we mwemeramana w 'ukuri abereye impembo nziza no kurokoka n'ibihano. Nuwo hazobamwo kugabanukirwa muri ivyo, n'ukwemera kwiwe kuzogabanuka kuri urwo rugero nyene. Ni co gituma ukwemera kwiyongera kukugamburukira Allah nogukora ivyiza, kukagabanuka ku gukora ivyaha n'ibibi.
Umwemeramana kandi arashingira intahe ko Muhammad (Swallallahu 'alayhi wa sallama) ari Umushumba wa Allah akaba n'Intumwa yiwe, Allah yamurungikanye uburongoke n'idini y'ukuri kugira arirutishe ayandi madini yose. Kandi ko ariwe ashirwa imbere kubemeramana kuruta n'imishaha yabo. Ni nawe yaheturiye Intumwa zose. Yarungitswe kumajini n'abantu kugira abahe inkuru nziza y'Ijuru kubazogamburukira Allah no kubagabisha n'ibihano vy'Umuriro wa Jahannamu kubazogarariza ayo mategeko. Yatumwe kandi guhamagarira abantu

bose kwa Allah no kubabera urumuri rubonesha. Yamurungitse kugira asukure idini yongere agorore isi, kugira ibiremwa vyambaze Allah Wenyene bitamubangikanya na kimwe, bakifashisha muri ivyo birya yabaronkeje.
Arazi kandi ko Intumwa (Swallallahu 'alayhi wa sallama) ariyo ifise ubumenyi bwinshi mu bindi biremwa vyose, kandi ariyo munyakuri kuruta bose, kandi ko ariwe yitwararitse kurusha abandi guhanura ibiremwa gukora ivyiza, kandi ko ariwe abaruta gusigura neza. Bica bituma asabwa kumuhesha icubahiro, kumukunda, akanamukunda kuruta ibindi biremwa vyose, akanamukurikira kubijanye na birya vy'umushinge w'idini na birya biza birengako. Agashira imbere imvugo yiwe n'intumbero yatanze kuruta imvugo n'intumbero z'abandi bose.
Aremera kandi ko Allah yamuhaye agaciro n'ivyo yisangije hamwe n'ubuziranenge Atigeze akomaniriza kuwundi n'umwe. Ni we aruta abandi mu vyubahiro, akabaruta agaciro kandi abaruta ubwuzure muri buri kintu. Nta ciza na kimwe casigaye kiretse ko yakigaragaje, nta n'ikibi casigaye atakigabishijeko.
Ni ko kandi yemera buri gitabu cose Allah yahishuye na buri Ntumwa yarungitse, baba abo azi n'abo atazi. Ntacagura Intumwa n'izindi mukuzemera, niko kandi ubutumwa bwabo bwari bumwe aribwo kwambaza Allah Wenyene ata kumubangikanya na kimwe.

Aremera kandi ivyagezwe vyose, n'uko ibikorwa vyose vy'umushumba, vyaba vyiza canke bibi, biri mubumenyi bwa Allah, vyaranditswe, kandi vyavanye n'ugushaka kwiwe, bihwana n'ubushishozi bwiwe. Kandi Allah yararemanye kiremwa-muntu ubushobozi n'ubushake, ivyo bavuga n'ivyo bakora bivana n'ugushaka kwabo, nta na kimwe Allah yabagobereyeko, ahubwo yabahaye uburenganzira bw'amahitamwo. Kiretse ko abemeramana yabarobanuye mukubakundisha ukwemera yongera aakubaryohereza mumishaha yabo, aranabankiriza ubuhakanyi, ivyaha be n'ibicumuro bivyanye n'Ubugororotsi bwiwe n'ubushishozi bwiwe.

Mubintu shimikiro kandi n'uko umuntu yogendera ibanga ryo guhanurana ku gitabu ca Allah, n'Intumwa yiwe n'indongozi z'aba islamu n'aba islamu muri rusangi. Arategeka ivyiza, akabuza ibibi kurugero amategeko yategetse. Aritwararika kugirira neza abavyeyi no kunga ubucuti no kugirira neza abaryango n'ababanyi n'uwundi wese afise uburenganzira, no kugirira neza ibiremwa vyose. Arahamagarira abantu kwitwararika ingeso nziza n'izibereye, akanabuza ingeso mbi n'izitabereye.

Aremera ko umwemeramana aruta abandi mukwemera n'ukwizera ari urya abaruta gukora ivyiza no kurangwa n'ingeso nziza, akabarusha

ubuvugakuri, guhamagarira abandi muvyiza n'ibibereye hamwe no kuja kure n'ibitabereye vyose. Arazi kandi ko kugwanira idini rya Allah bizokwamaho gushika ku musi w'umuhero, kandi ko arico gihesha icubahiro idini : kugwana mubijanye n'umenyi hamwe n'ivyiyumviro birashe be no kugwana hakoreshejwe ibikoresho bibigenewe. Kandi ko ari itegeko kuri buri mwislamu kugwanira idini kuburyo bwose ashoboye kandi ahambije, n'uko kandi abwirizwa kuuguma inyuma y'indongozi yaba nziza canke mbi mugihe ibisabwa bigikwiye.

Mu bindi vy'ishimikiro kandi : ni uguhimiriza, ukwitwararika no guteramira ubumwe bw'aba islamu no kwihutira kubakundanisha no kubavukanisha, no kugaba cane no kubacanishamwo no kubankanisha no kubaryanisha. No gukoresha inzira zose zishikana kuriivyo. Kirabujijwe kandi kubateza ingorane kubuzima bwabo canke amatungo yabo n'agateka kabo, n'uburenganzira bwabo muri rusangi, no gutegeka ubutungane n'ubugororotsi mumigenderanire n'aba islamu n'abahakanyi.

Umwemeramana aremera kandi ko urunganwe rw'agaciro kuruta abandi ni urunganwe rw'Intumwa Muhammad (Swallallahu ‛alayhi wa sallama). Abaruta abandi muri rwo nabo ni abasangirangendo biwe (swallallahu ‛alayhi wa sallama), na cane cane indongozi zine zaje inyuma y'Intumwa y'Imama

(Swallallahu ‘alayhi wa sallama), na barya cumi bemerewe ijuru bakiri kw’isi, n’abagwanye intambara ya Badri, n’abasinye amasezerano y’umwumvikano, n’abatanguriye abandi mubimukira (Muhaajiriina) n’abasangwa (Answaar). Agakunda abasangirangendo (Allah aumvire), akabikora kubwa Allah, agakwiragiza ivyiza vyabo, akihorera kuvyavuzwe kuri bo mubicumuro vyabo.
Aritwararika, kubwa Allah, guhesha agaciro abamenyi bayobora abantu ku nzira igororotse n’indongozi zigendera ukuri n’ubgororotsi, na babandi bafise ibibanza bihambaye mw’idini bafitiye n’akamaro aba islamu, akabasabira kwa Allah Abarinde amakenga n’ibangikanyamana n’ingorane n’uburyarya n’ingeso mbi, n’uko yobatsimbataza kw ‘idini ry’intumwa yabo gushika gupfa.

Ibi ni vyo bintu simikiro abakurikira umurwi uzoronka intsinzi bemera bakanabihamagarira abandi.